REPUBLIQUE DU BURUNDI
Parti CNDD-FDD
Conseil National pour la Défense de la Démocratie - Forces pour la Défense de la Démocratie.

**REPRESENTATION LEGALE**

REPUBLIKA Y'UBURUNDI
Umugambwe CNDD-FDD
Inama y'abanyagihugu baharanira Demokarasi.

**UBUSERUKIZI BUKURU**

# ITANGAZO N° *003*/RL/CNDD-FDD/2014 RIJANYE N'IMPINYANYURO Y'IBWIRIZWANSHINGIRO ITEMEJWE N'INAMA NSHINGAMATEKA

Umugambwe CNDD-FDD ufatiye ku bimaze imisi bivurwa ku bijanye n'impinyanyuro y'Ibwirizwanshingiro itemejwe n'Inamanshingamateka kuri uyu wa 21 Ntwarante mu mwaka w'2014, wagomba umenyeshe ibi bikurikira :

1. Umugambwe CNDD-FDD urashimiye abashingamateka bitavye igikorwa co gushikiriza aho bahagaze ku bijanye n'impinyanyuro y'Ibwirizwanshingiro. Bakoze neza cane ni naco gituma batewe iteka n'abenegihugu ngo babaserukire kandi bongere babatorere amategeko abereye, atuma babaho neza mu mahoro n'umutekano.

2. Umugambwe CNDD-FDD urakebuye abashingamateka biyatse uburenganzira bahabwa n'amategeko bwo gutora amategeko ndetse bakaba batinjiye no mu ngoro y'amakoraniro mu Kigobe. Ivyo vyerekanye ko batatahuye neza ibikorwa bajejwe kuko bashize imbere inyungu zabo aho gushira imbere inyungu z'igihugu kuko mu mpinyanyuro z'iryo tegeko harimwo n'ibijanye n'iyinjira ry'igihugu c'Uburundi mu karere ka Afrika y'Ubuseruko (EAC). Batumye ico gikorwa gica kidindira. Bategerezwa kwinjira mu ngoro, bagashikiriza ivyo banegura mu nama ya bose kuko ariyo ifata ingingo yanyuma. Ntanumwe yari kubahatira gutora ivyo batemera kuko niyo Demokarasi.

LA REPUBLIQUE DU BURUNDI
PRESIDENCE DU PARTI CNDD-FDD

3. Umugambwe CNDD-FDD usaba abarundi bose, na cane cane abagumyabanga, kubandanya batekanye kuko igihugu kirafise Ibwirizwanshingiro ryari rihasanzwe kigenderako, nta mutsi rero wishe ibere, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, wenyene iryo bwirizwanshingiro riha ubwo bubasha, azoheza atwereke iyindi nzira muzitegekanijwe n'amategeko, ibwirizwanshingiro rizofata muguhinyanyurwa.

4. Ku vyerekeye amatora yimirije ya 2015, Umugambwe CNDD-FDD usavye Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu kwerekana vuba ivyohinyanyurwa mw'itegeko rigenga amatora hisunzwe ibwirizwanshingiro kugira ngo vyemezwe n'inzego zibijejwe maze umurwi ujejwe amatora babandanye imyiteguro y'amatora twimirije.

5. Umugambwe CNDD-FDD wongeye gukeza abashingamateka bose bitavye ivyo bikorwa, bakadadanura ivyo abandi bipfuza ko biguma bizitanye maze ubu ibikorwa vyo gutegura amatora bikaba bigiye kubandanya ukuri kwamye.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 26 Ntwarante 2014

Umushingamateka NYABENDA Pascal

**Umukuru w'Umugambwe CNDD-FDD**

LA REPUBLIQUE DU BURUNDI
PRESIDENCE DU PARTI CNDD-FDD
INAMA YA BANYAGIHUGU BAHARANIRA DEMOKARASI